## UKURI

**ABAFADIKANIJE NA RWAGASORE MUKURONDERA INTAHE YO KWIKUKIRA**

Mukurondera intahe yo kwikukira, abarundi benshi, abakuru n'abato,bari baraseserejwe n'intwaro ya gikoroni, baviriye hasi rimwe, bafatanye mu nda, bashigikira RUDOVIKO RWAGASORE.

Ico yaharanira cane cane ni uko umurundi wese yo kwishira akizana, akigenga mugihugu c'amavukiro, ubutungane bw'ukuri bukiganza mu gihugu, iterambere rigashwara abarundi bose.

Yashira imbere na ntaryo ko Leta yiwe yoba umuvyeyi ahumuriza bose, akabakingira. Ntaco atakoze kugira ngo agwanye umugera w'amacakubiri afatiye ku moko abazungu bari bamaze kubiba mu Barundi.

**Niki catumye ukwikukira kw'uBurundi kunigirwa mu menshi ?**

Abakoroni ntibigeze bipfuza ko uburundi bwikukira, kuko babona ko imigambi RWAGASORE azaniye abarundi izotuma batakaza inyungu zabo.

## UGUCABUGUFI

***N⁰3***

Niko rero kurondera ukuntu bomugandagura babicishitse mu gukorana na bamwe bamwe mu barundi, ba mpemayuzuye, ba sesankuyoze, ba mpemuke ndamuke atakindi barondera atari ukuzuza inda zabo.

Kubera ko batamukundiye ko ashira mu ngiro ivyo yari yateguriye abarundi babicishije mu kumugandagura, inyuma y'urupfu gw'iwe uburundi bwaguye mw'isanganya mukubura indongozi nyazo, zishobora kugera ikirenge muciwe.

**Ihangiro rya RWAGASORE ryazimanganye gute ?**

Kubera ko benshi mubagendanye na RWAGASORE, inyuma y'urupfu rwiwe nabonyene bahavuye bagandagurwa na bamwe bari baramaze kunyengeterwa na wa mugera wamacakubiri kandi bari basanzwe barikumwe nawe muri UPRONA; kuva ico gihe imigambi yari yateguriye kurangurira igihugu n'abanyagihugu ntiyabaye ikija mu ngiro kuko uburundi bwaciye butwarwa n'abamwe bari banyengeterewe na wamugera wo kuvangura abarundi bafatiye ku moko.

## UBUNTU

**Inyuma ya RWAGASORE hagiyeho intwaro zimeze gute?**

Naho umwami yashoboye kwitwara neza inyuma y'urupfu gwa RWAGASORE mu kwumvisha abarundi ko batosubiranamwo, abagwanya imigambi ya RWAGASORE babandanije kugandagura indongozi gushika no ku mwana w'umwami KARORI NDIZEYE yagandaguwe amaze guhirikwa ku butegetsi na MICOMBERO Michel; kuva ubwo igihugu gitwarwa n'abasirikare bagiye barakurikirana babicishije muguhirika ubutegetsi.

**Mbega UPRONA yagumanye indongozi nyazo ?**

Oya namba, kuva RWAGASORE agandaguwe, umugambwe waciye ufatwa n'abasumirinda, ba mpemukendamuke, ba mpemayuzuye, hatangura intwaro z'igikenye, zagiye zirakurikirana, haba haratanguye ivyo gusesa amaraso. Hajaho abatware barondera inyungu zabo n'akagwi, batsimbataza amacakubiri afatiye kumoko n'intara, ari navyo nkomoko y'amabi yose ariko ashikira uburundi na beneburundi.

Abo bose baza biheka inyuma y'izina "UPRONA ya RWAGASORE".
Akamaramaza, ubu havutse UPRONA zirenga imwe zose ziyitirira RWAGASORE.

## INTWARO Z'AMA REPUBLIKA

Intwaro ya repubilika ni intwaro yaje isubirira ingoma ya cami aho uwutwara uBurundi atari acitwa umwami yitwa umukuru w'igihugu.

Kuba umukuru w'igihugu ntivyari bigisaba kuvukana imbuto canke ngo agihabwe na se ahubwo vyaca munzira y'igikenye.

Intwaro z'ama republika zarongoye uBurundi ni zitatu (3):

## INTWARO YA REPUBLIKA YA MBERE YARONGOWE NA CAPITAINE MICHEL MICOMBERO (1966-1976):

Michel MICOMBERO yashikiriye ubutegetsi abanje guhirika ingoma y'umwami Ntare wa gatanu KARORI NDIZEYE.
Intwaro yiwe yaranzwe n'amabi menshi cane, mu kuvangura abarundi hisunzwe intara n'ubwoko bavamwo.
Aho gutwarira abarundi bose hisunzwe inyungu z'igihugu, wewe yari arajwe ishinga n'inyungu ziwe be n'akagwi kiwe, nt'akarusho na kamwe intwaro yiwe yazaniye abarundi uretse kubica, kubangaza no gutoteza uwo wese atamushigikiye mubikogwa vyiwe.

Nta gikogwa nakimwe kiboneka yigeze akorera igihugu. Intwaro yiwe tuyibukira cane cane ku bwicanyi bwagahomera bunwa bwakorewe abarundi isinzi binzirakarengane mu mwaka w'igihumbi kimwe amajana icenda na mirongo indwi na kabiri (1972).

## INTWARO YA REPUBLIKA YA KABIRI YARONGOWE NA COLONEL YOHANI BATISITA BAGAZA (1976-1987):

Yohani Batisita BAGAZA yashikiriye ubutegetsi abanje guhirika intwaro ya MICOMBERO Michel. Intwaro yiwe yari ifise imigambi myiza muvyerekeye iterambere ry'igihugu, mu kwubaka amashure, amabarabara, amabombo, ibigwati, amahinguriro n'ingomero z'umuyagankuba.

Yaragerageje gusubiza iteka igihugu no guha agaciro abanyagihugu bato bato mugukuraho ubugeregwa.

Naho yagerageje guteza imbere igihugu, ntiyashimye kurondera no gutora umuti w'ikibazo c'amacakubiri afatiye cane cane ku moko, kuko no ku ntwaro yiwe hanze y'igihugu hariyo abarundi batari bake bahunze igihugu ku ntwaro ya MICOMBERO, abo barundi bari bagorewe mubuhungiro, bagumye barondera ingene bosubira mugihugu c'amavukiro, gushika naho batangura gushinga umugwi wokwibohoza biciye mugufata ibigwanisho ariwo bise PALIPE-HUTU FNL irongowe na GAHUTU Rémy.

Ikindi ni uko intwaro yiwe yarangiye adafitaniye imigenderanire myiza na Ekleziya gatorika.

## INTWARO YA REPUBLIKA YA GATATU YARONGOWE NA MAJOR PETERO BUYOYA (1987-1993):

Amabi ararutana, ntako abandi bakoze amabi, Intwaro ya BUYOYA yoyo yaje isongera isibe.

Yaranzwe no kwikunda kw'abategetsi b'igihugu, ukubandanya kuvangura abanyagihugu hisunzwe intara n'amoko, gukundwakaza bamwe, umugani mubi uvuga ngo: "**Impene irisha aho iziritse**". N'ubwo biruko petero BUYOYA yaragondojwe arateba aremera imigambwe myishi.

Niho havutse iyindi migambwe nka SAHWANYA FRODEBU, PRP, PP, RPB n'iyindi.

Icibonekeje ni uko iyo migambwe yose yari ishingiye kumacakubiri afatiye kumoko.

Ni naco gituma, imyiyamamazo y'amatora yatunganijwe mu mwaka w'igihumbi kimwe n'amajana icenda na mirongo icenda na gatatu (1993), yaranzwe n'amajambo acanishamwo abarundi ku mpande zose, tudasize inyuma amajambo y'iterabwoba yavugwa n'abamwe n'abandi.

Muri ayo matora, abarundi bararonse uburenganzira bwo kwitorera indongozi, uwambere yatowe ku mugaragaro akaba ari nyakwigendera nyenicubahiro **Melchior NDADAYE** yaserukira umugambwe SAHWANYA FRODEBU.